UMUGAMBI IOWA WO MU 2021-2022 UJEJWE GUFASHA MU VY'AMASOKO NTANGANGUVU

MURAGABA: KU BAGUZI BABA AHO NYENE

URAKENEYE UWOGUFASHA KURIHA IBIJANYE NO GUSHUSHA MU NZU?

Umugambi wo muri 2021-2022 ku bantu b'amikoro make LIHEAP wiyemeje gufasha abantu bakukira ikigo Iowa baba bene amazu canke abapangayi b'uburyo buke kubarihira igice ca fagitire yo gushusha amazu yabo mu gihe c'imbeho.

Mu gufashwa baraba amikoro umuryango uba ufise, uko inzu ingana, ubwoko bw'umwuka bukenewe be n'ubwoko bw'inzu.

Nimba utazi ingene biyandikisha, **Fyonda 2-1-1**, canke ugende ku rubuga https://humanrights.iowa.gov/dcaa/where-apply kugira ubaze ikigo kibiraba c'aho uherereye, canke wandikire:

LIHEAP
Iowa Department of Human Rights
Capitol Complex
Des Moines, IA 50319

NI RYARI WIYANDIKISHA:

- **Abasaza (imyaka 60 canke irenga) hamwe /canke n'abamugaye:**
  Itariki 1 Gutugutu 2021 gushika itariki 30 Ndamukiza 2022
- **N'iyindi mihana:**
  Itariki 1 Munyonyo 2021 gushika itariki 30 Ndamukiza 2022

TWOFATA IKI:

- **Icemeza uburyo ufise** (ku bantu bose bo mu nzu bafise imyaka 19 n'iyirenga) Bivanye n'uburyo umuryango ufise uko bungana, birakenewe gutohoza uko uburyo bwari bwifashe mu misi 30 iheze, mu mezi 12 aheze, canke muri uyu mwaka wose urimwo uko vayri vyifashe, icakworoheye canke cagufashije cose.
- **Icemeza gifise n'ibiharuro c'uko wiziganiriza <u>vyose</u> ku bagize umuryango** (itohozwa rirakenewe)
- **Ifagitire iheruka yerekana ko warishe gushusha inzu**
- **Ifagitire iheruka ko warishe amatara**

ABAKORERA IMISHAHARA:
Urasabwe kuzana ibishisti vy'amasheke wakoresheje mu misi 30 uravye itariki wiyandikishirijeko, canke urwandiko rw'igihe ca vuba uheruka kurihirako ikori.

UBURYO BWAMAHO:
Ubwo buryo bugizwe na: Inyungu ivuye mu kwiziganiriza, Uburyo bundi buje buva mu kwiziganiriza, umugambi wo kwiyungunganya w'umuryango, Gufasha abahoze ku rugamba, gufasha abatagira akazi, imfashanyo y'abakukurutse. Musabwe kuzana ibishitsi vy'amasheke mwakoresheje mu misi 30 iheze.

ABIKORERA UTWABO/ ABIRIMIZI:
Musabwe kuzana urwandiko rw'igihe muheruka kurihirako ikori.

ABO VYEGA:
Usabwe kuzana urwandiko rw'uwugutwara canke ikiranga ibiro vy'aho ukorera kugira turonke inkuru y'imvaho kuri wewe.

Mu gihe uronka agafashanyo ko gukukuruka canke ibirezo vy'umwana, turakenera kubisuzuma. **Nimba hari ahandi hantu ukura uburyo utavuze hano navyo twobigusaba ukahatubwira.**

UBURYO BUNINI URONKA

Umuryango <u>*Uko bungana*</u>	*Ku mwaka* <u>*Amahera usigarana mu minwe*</u>
1	25760$
2	34840$
3	43920$
4	53000$
5	62080$
6	71160$
7	80240$
8	89320$

Ku miryango ifise abantu barenga umunani, Kwongerako amadolari 9080$ ku muntu wese yiyongereye.